
# Inzira ubumara bwa PFAS bwica bucamwo



# Ubumara buhoraho bwica burageramiye amagara yacu

### Ubumara buhoraho bwa PFAS busigura iki (babwita kandi ''ubumara buhoraho'')?

- Ubumara buhoraho bwa PFAS ni umugwi munini w'ubumara bukorwa n'abantu buramba ku buryo budasanzwe mu bidukikije. Burashobora kumara imyaka ibihumbi imbere y'uko butakaza inguvu, akaba arico gituma bwitwa '' ubumara buhoraho.''
- Ubumara buhoraho bwa PFAS bukoreshwa ahanini mu baguzi hamwe no mu bidandazwa vyo mu mahinguriro, harimwo na twa tunyuzi dusukura amenyo, mu buryo bwo kubika ibifungurwa, mu bijanye no gukora impuzu, mw'ifuro rikoreshwa mu kugwanya umuriro wiyadukije, mu bikoresho vy'ubwubatsi, mu bikoresho vy'ubuhinga bwa none, n'ibindi.
- Ubumara buhoraho bwa PFAS buragwirirana, canke ''bukibika'' mu mafi  hamwe n'ibindi bikoko vyo mw'ishamba.
- Ikiremwa muntu kirashobora guhura n'ubwo bumara bwa PFAS biciye mu mazi ahumanye, mu bifungurwa (harimwo n'ifi), hamwe no mu muyaga.

### Ni kubera iki dukwiye kuvyitwararika?

- Ubumara buhoraho bwa PFAS buratera ubwoko bumwe bumwe bwa kanseri, burongereza ikinure ca choresterol, bukagabanya ugukora kw'incanco mu mubiri, bukagira ingaruka ku gitigu, ivuduka ry'umurindi w'amaraso mu gihe c'imbanyi hamwe n'ingorane ya preeclampsia, buragabanya ibiro umwana avukana bukamutera n'ingorane zo kudakura neza, ivyo bikaba ari bimwe mu vyago vy'amagara bishobora gushika.
- Ubumara buhoraho bwa PFAS bugira ingaruka ku birabure mu buryo butandukanye bitewe n'aho ubuhumane bwaturutse, nko mu mahinguriro, aho usanga akenshi buboneka mu bakene hamwe n'abirabure.
- Abantu baba mu turere tubayeho kumwe mu bijanye n'ibidukikije, aho usanga bihereza cane amafi yo mu mazi kubera ko ariko imigenzo yabo ibitegekanya canke ariho ubutunzi bwabo bushingiye, barashobora guhura n'ingorane zijanje n'amagara y'abantu.

### N'iki kiba ku kigo kijejwe gutunganya amazi yanduye c'i Manchester?

- Amahinguriro ajejwe gutunganya amazi yanduye hamwe n'ikigo ca Manchester Municipal Landfill birungika amazi yanduye mu kigo kijejwe gutunganya amazi yanduye ca Manchester.
- Ikigo kijejwe gutunganya amazi yanduye ca Manchester nta bikoresho gifise vyo gukura ubumara bwa PFAS mu mazi, nico gituma gica gisuka ubumara bwa PFAS mu ruzi rwa Merrimack. Mu ruzi niho ifi ziba. Niho kandi hava amazi yo kunywa ku baba hepfo yarwo, harimwo n'ababa mu gisagara ca  Nashua.
- Ikigo kijejwe gutunganya amazi yanduye ca Manchester kandi kirakora ubumara bwitwa 'sewage sludge.'' Kiraturira ubu bumara bwa sludge mu cuma cagenewe guturira imyanda, bigatuma gitumura mu kirere ubumara bwa PFAS.

### Ni gute twohagarika ikwiragira ry'ubumara bwa PFAS buva mu mazi mu mahinguriro ajejwe gutunganya amazi yanduye?

- Uburyo bwiza bwo guhagarika ikwiragira ry'ubumara buhoraho bwa PFAS buva mu mahinguriro ajejwe gutunganya amazi yanduye ni ''ukubugwaniriza aho buturuka haruguru.''
- Ukubugwaniriza aho buturuka haruguru bisigura ukugabanya canke ugukuraho ikoreshwa ry'ubumara buhoraho bwa PFAS mu mahinguriro, kugira bagabanye canke birinde ubumara bwa PFAS babubuza kurungikwa mw'ihinguriro rijejwe gutunganya amazi yanduye hamwe no mu gikoresho kijejwe guturira imyanda.
- Amahinguriro arashobora kugabanya canke guca burundu ikoreshwa ry'ubumara bwa PFAS biciye mu ntambwe zikurikirana.

WIPFUZA KUMENYA VYINSHI, SIKANA IYI KODE